
www.kidworship.kr

# Iremwa

- 1st Story -



4Page

**Uwuvuga** Ubwa mbere isi yari umwiza kandi ntakintu na kimwe cariko. Yari igaragara. Imana niyo yariho gusa. Umusi umwe Imana iravuga iti.

**Imana** “Nihabeho umuco!"

**Uwuvuga** Umuco uca urakira isi yose . Imana ibonye ko umuco ari mwiza ica iwita umurango hanyuma umwiza iwita ijoro. Umusi wa mbere uba uratanguye.  Ku musi ugira kabiri Imana irongera iravuga.


---


5Page

**Imana** “Ni habe ijuru n’amazi"

**Uwuvuga** Ni uko ijuru n’amazi biraremwa kandi biba vyiza cane. Ku musi ugira gatatu, Imana yegeraniriza amazi yose hamwe habaho isi yumye.


---


6Page

**Imana** Reka isi yumye ibe urusi hanyuma amazi nayo abe ibiyaga!

**Uwuvuga** Imeza amashurwe meza atamirana hamwe n’ibiti bito-tahaye. Iraheza ibona ko bitunganye.  Ku musi ugira kane Imana irongera iti:


---


7Page

**Imana** Nihabeho izuba , ukwezi n’inyenyeri mu kirere!

**Uwuvuga** Hanyuma buraca izuba risaseruka rirakayangana, ijoro rigeze, ukwezi n’inyenyeri birakayangana. Ivyo Imana yare-mye vyose biba vyiza.  Ku musi ugira gatanu Imana iravuga iti:

---


8Page

**Imana** “Reka inyoni ziguruke mu kirere, inzuzi n’ibiyaga vyuzure amafi n’ibinyabugingo."

**Uwuvuga** Ibiguruka bihimbaye birazunguruka mu kirere hanyuma inzuzi n’ibiyaga vyuzura amafi menshi n’ibindi binyabugun -go.  Ku musi ugira gatandatu, Imana irema ibinyabugingo biba kw’isi.

**Imana** Reka isi ibeko ibinyabugingo


9Page

**Uwuvuga** **Hanyuma ibinyabugingo vyose uko ubwoko bwavyo buri biraremwa. Kuva ku nzovu gushika ku dukwavu, ingwe, eka ibikoko vy´ubwoko bwose birahimbara Imana, iranezerwa. Ubwa nyuma irema umuntu mw'ishusho yayo. Imurema mu mukungugu w'isi hanyuma imuhumekeramwo mu mazuru impwemu y´ubugingo aca acika umuntu. Uwo muntu wa mbere yari Adamu. Imana iramubarira iti:**

**Imana** **Rondoka mugwire, muganze amafi yo mu biyaga, inyoni zo mu kirere hamwe n'ibiba mw'isi vyose."**

**Uwuvuga** **Ku musi ugira indwi Imana imaze kurangiza igikorwa cayo, iraheza iraruhuka. Irawuhezagira iwugira umusi wayo. Ni ko natwe nk´abana bayo, twahisemwo kuruhuka kuri uwo musi tukawugira umusi wera wayo.**